MAP- BURUNDI BUHIRE
Mouvement d'Actions Patriotiques / Movement of Patriotic Actions
Umuhari w'Ibikorwa Nkundagihugu

www.map-burundi.org
presidence@map-burundi.org
secretary@ map-burundi.org

Facebook: @map-burundi.org
X (Twitter): @burundiMap

Bureau de Coordination / Coordination Office

UBUTUMWA BUSHIKIRIJWE ABARUNDI BOSE

DUSHAYURE UBURUNDI MU MAGURU MASHA, AMAZI YARENZE INKOMBE

N/REF : BC/PR 05-2024

Barundi, Barundikazi,

Umuhari w'Ibikorwa Nkundagihugu, MAP-BURUNDI BUHIRE warafashe umwanya wo kwihweza ingorane zihanze Uburundi, uraca hirya no hino, urihweza ibihe bitoroshe Abarundi bose barimwo birangwa n'amarira, amaganya, inzara n'ubukene buzura inzara. Ariko Varisito Ndayishimiye, Jelazi Ndabirabe na Reveriyano Ndikuriyo ntibasibe gushinyagurira Abarundi ko bahiriwe, batunze, babayeho neza ibitari bwaboneke kuva Uburundi bubaho.

Muri uyo mwihwezo Umuhari w'Ibikorwa Nkundagihugu wagize, wasanze inzu yitwa Uburundi yaraturiwe n'akagwi gatoya kadometse umuriro buke buke Abarundi turorera, bamwe mbere bakoma amashi. Muruyo mw'ihwezo twasanze umuriro wahumaganye, washikiriye agasongero k'inzu yitwa Uburundi, uyo muriro utazimijwe vuba na vuba, agasongero kagiye gukoroka, inganda zitikire, nta Murundi azorokoka: kaba ako kagwi kawudometse, canke abo bose badasiba kwongereza umucanwa mu buryo butandukanye, ako gasongero gakorotse ntikazobasiga, kazobahitana.

Ikindi Umuhari w'Ibikorwa Nkundagihugu washitseko muri uyo mwihwezo ni uko Uburundi bwatewe n'akagwi kaboheye Abarundi amaboko i mugongo.

Uburundi buri mu ngwano yamaze inganda, iyo ngwano nayo n'akaranda kagizwe n'imigera myinshi itema igatongora ariyo ituma amagorwa Abarundi babayemwo aguma yongerekana. Iyo migera nayo n'iyi: ubuhimbiri, ubusuma, ubwambuzi, ibiturire, kunyonora itunga ry'igihugu, ubutungane bwa ngondagonde, umutekano muke mu gihugu, inyuruzwa izuba riva ry'Abarundi ataco bazira, iyicwa bunyamaswa ry'Abarundi, gushurashuza no gufata ku nguvu abigeme n'abakenyezi, guta mu munyororo Abarundi atakosa bagirizwa, gutoteza abanyagihugu mu buryo butandukanye, ubuntu n'ubushingantahe butakirangwa mu bategetsi, n'ikibazo gikomeye ca kigizigenza (leadership), indero yatitutse mu mashure nka yose mu Burundi, aka mwama wa mama mugutanga akazi canke mugahabwa amabanga yo kurungora ibisata bitandukanye (incompetence), …

Ikibazo Umuhari w'Ibikorwa Nkundagihugu wibajije n'iki: uyo muriro Abarundi twowuzimya gute agasongero katarakoroka? Iyo migera yamaze inganda mu Burundi yovurwa n'iki? Mu ncamake Uburundi twobushayura gute?

Inyishu twashitseko ni kurandurana n'imizi intwaro ya Varisito Ndayishimiye, igasubirirwa n'iyindi igizwe n'abashingantahe n'abapfasoni bijunja n'ijambo, bakunda Uburundi n'Abarundi, bafise imigambi n'imigabo irashe yo kugwanya ubukene, yo guteza imbere imiryango, yo guha akanovera inyigisho mu mashure, yo kwitaho ineza y'Abarundi bose, yo kugwanya ubusuma, igiturire no gusesagura itunga ry'igihugu. Imigambi n'imigabo yubahiriza agateka ka zina muntu biciye mu mahoro n'umutekano kuri bose, imigambi n'imigabo yo kunywanisha Abarundi bonse rimwe, kurandurana n'imizi amacakubiri ahagaze ku bwoko, intara, imigambwe canke amadini. Imigambi n'imigabo yo kwubaka Uburundi bugatera imbere. Tutibagiye imibano myiza n'ibihugu bibanyi. Ivyo vyose bikorwe hisunzwe amasezerano y'ubumwe bw'abarundi, n'amasezerano y'i Arusha y'amahoro no kwonywanisha Abarundi.

Umuhari w'Ibikorwa Nkundagihugu, MAP-BURUNDI BUHIRE, urateye akamo gakomeye abarundi bose, bo mu ntara zose, mu moko yose, mu migambwe yose, amadini yose, eka mu butandukane bwose, tuje hamwe tugire urunani rw'intamenwa, dushire ubwoba, dukanure tubone kumwe uno munsi kuko ejo ni kera, twanke twese kubandanya duhambwa n'ubutegetsi bwa Varisito Ndayishimiye n'abafasha biwe.

Umuhari w'Ibikorwa Nkundagihugu, MAP-BURUNDI BUHIRE, urateye akamo indongozi z'umugambwe CNDD-FDD zifise umutima w'ikigongwe n'ubuntu,

ubwenge no kwiyumvira ineza y'Uburundi n'Abarundi kwikura uruhumyi rwa Varisito Ndayishimiye n'akagwi kamuyoboka bafadikanije guhamba Abarundi bakanura, mukubona ingene Uburundi n'Abarundi bariko bazimangana ubutakivyuka, urwaruka rubishoboye ruriko rurahunga Uburundi, hanyuma zifashe Abarundi kubwiza ukuri Varisito Ndayishimiye we nyene atange imihoho ku neza yiwe, y'umuryango wiwe, ku neza y'Abarundi n'Uburundi.

Umuhari w'Ibikorwa Nkundagihugu, MAP-BURUNDI BUHIRE, urateye akamo abungere ba Ekleziya Gatolika n'abo muyandi madini, abamenyeshamakuru, amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya politike, amashirahamwe y'abakenyezi n'urwaruka kurushirizaho gusemerera no guhanura kuko Uburundi buri mu mayira abiri, uko bigenda kwose dutegerezwa gusimba imanga turiko tugwamwo.

Umuhari w'Ibikorwa Nkundagihugu, MAP-BURUNDI BUHIRE, urateye akamo abasirikare n'abaporisi bose, abashinzwe iperereza n'umutekano muri rusangi ko bakorana ubwitonzi n'ubuntu bagacungera umutekano w'umurundi wese, ata nyagupfa, ata nyagukira. Ntihagire uwuzosubira gusesa amaraso y'umuntu numwe aba Umurundi mwene wabo canke umunyamahanga yatse indaro mu Burundi. Mumenye neza ko agasongero k'inzu nikakoroka, ntimuzosigara hamwe n'abanyu bose. Muhamagariwe kwifatanya n'intore n'indanga Uburundi bwibarutse twanke guhambwa tubona n'ubutegetsi bwa Varisito Ndayishimiye. Ntimwibagire ko yabagize abaja b'abacangero muri Kongo, bagenzi banyu badasiba kuhasiga ubuzima, abandi bakagirwa imbohe akongera akabihakana. Ivyo none mwobandanya muvyemera?

Ejo aho bukera, kw'igenekerezo rya 18 ruheshi 2024, Varisito Ndayishimiye azoba akwije imyaka 4 arongoye Uburundi, igihugu cacu catwibarutse. Mw'ijambo azoshikiriza Abarundi, azotubwira ko Uburundi bwateye imbere bidasanzwe, ko ibihano vyakuwe, ko imigenderanire n'ibindi bihugu yifashe neza, n'ibindi n'ibindi. Ariko ntazobabwira ko ata mafaranga mvamakungu Uburundi bufise, igitoro we nyene yifatiye mu minwe kuva 2022 uno musi gikenye, isukari uko, amatara, amazi, imiti, amakara, ifumbire uko. Ntazotubwira ko Uburundi bwiyugaranye mu kugara imbibe n'igihugu c'Urwanda n'ingaruka mbi ku Burundi n'Abarundi. Ntazotubwira abasoda bagwa mu mirwano yo muri Kongo ingene bangana. Ntazotubwira abasirikare bafashwe na M23 ingene agiye kubabohoza. Azodusiga inkore ku maso nkuko yama yabikoze.

Murundi, Murundikazi ufise amadidane yo gushigikira urugamba rwo gushayura Uburundi, urifuza gusubira kuronka ingene wiyunguruza n'ingene wunguruza utwo ushoye canke ivyo wasumye kuva amezi n'amezi bikaguta kuw'amazi? Uribaza ko uzokwifuza kwiyunguruza uja kwivuza canke uvuza uwawe arwaye ugasemagura isi n'ijuru? Urazi ko ibiciro vy'ibintu vyose ukeneye mu buzima bwawe bizoguma biduga gushika aho ata nakimwe ushobora kwiha? Uribaza ko uzorondera umuti ugupfupfahariza ingwara ukawubura, agasukari gakeya gahoza umwana, igitoro, isukari, amakara, amazi, amatara, umunyu, eka ibisumwa vya nkenerwa mu buzima bw'Umurundi wa ruguru canke aba mu gisagara, ariko bikakubera nk'umuzi w'ibuye? Uriteze imyidogo, amarira, amajambo ataco yungura Abanyagihugu, agashinyaguro izuba riva ka Varisito Ndayishimiye? Inyuma y'imyaka ine Varisito Ndayishimiye atwara igihugu cacu, urabona aho Uburundi aho bugeze?

Dukenyere zigume, tuvire hasi rimwe uno musi, tuvuge tuti oya ntiduhambwa tubona, kuko ejo ni kera, kumbure inguvu zokwivyukiranya zishobora kuduherana uravye umuvuduko Uburundi n'Abarundi bariko barwa mucobo.

Basogokuru barayamaze bati, « ubuja gusha buratagata », ngo « ak'imuhana kaza imvura ihise », « intabarirwa ibwirwa nuko amaso atukuye » kandi « ibigiye inama bigira Imana ». Dushire ubwoba, tuvire hasi rimwe, tugire urunani rw'intamenwa, dushayure Uburundi bwatwibarutse, mu maguru masha, amazi yarenze inkombe.

DUHARANIRE AMAHORO, INTAHE N'ITERAMBERE BIRAMA

Bisinyiwe i Buruseri, itariki 17 Ruheshi 2024



Liberato NTIBASHIRAKANDI

Umuvugizi w'Umuhari w'Ibikorwa

Nkundagihugu, MAP-BURUNDI BUHIRE